**Akamo kagira 5**

# Ibirwanisho vyaturitse ku murwa mukuru w'ubutunzi w'Uburundi : Irimburwa ryimbitse ry'ivyononekaye hamwe n' isanurwa,bibwirizwa gukorwa na Leta

---

Mu ntumbero y'umugambi **UMUSEKE**,amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu ,umuhari wo mu Burundi uharanira agateka ka zina muntu Iteka hamwe na King Umurundi Freedoom arabandanya atohoza uko umutekano wifashe ndetse n'agateka ka zina muntu mu gihugu.

Mw'ijoro ryo kuwa 31 Ntwarante 2026,amashirahamwe yacu,abarundi n'amakungu barakurinyanye ataco bari bukore ibara ryaguye ku murwa mukuru w'ubutunzi w'Uburundi « Bujumbura »,ryahitanye abantu benshi hamwe n'ibintu mu makaratiye atari make y'ico gisagara,amakaratiye Kinanira na Mpimba akaba ariyo yakozweko, aho n'imiburiburi abantu bashika 10 bahatakarije ubuzima benshi muribo b'abanyororo,na benshi bakomeretse mw'iboherorikuru rya Mpimba, hatavuzwe abasirikare bo mu makambi ya base des forces armés na ISCAM igitigiri cagumye ari ibanga rya gisirikare.

Mu bisanzwe, kubwo amakuru y'ibanze duhabwa n'amasoko yacu,ibitigiri vy'abahasize ubuzima hamwe n'ibintu vyononekaye bishobora ari binini muri base des forces armées, ahabikwa ibisasu biturika, co kimwe no muri ISCAM,ikambi bihereranye.Mu makaratiye y'umugwa mukuru w'ubutunzi,ku bahasize ubuzima babonetse mw'ibohero rikuru rya Mpimba, haravugwa abandi bapfuye n'abakomeretse. Imiryango ibandanya irondera abayo benshi muribo ari abana bashwiragiye kandi batarashikira imiryango yabo.

Vyongeye,iruhande y'abantu bahasize ubuzima,ibintu vyarononekaye nk'amazu yabomotse,ingendeshwa,amamashini akoreshwa mu mazu hamwe n'ibindi vyononekaye biharurwa mu makaratiye y'umugwa mukuru w'ubutunzi n'ibisasu biturika bitandukanye birakwiragiye mu burere butandukanye.Amashirahamwe yacu arahojeje imiryango vyakozeko,yipfuriza abakomeretse gutora mitende ikongera igahamagarira kwigumya kuri abo bose bakozweko n'ico cago mu buryo butandukanye.

Umuhari Iteka na King Umurundi Freedom barashima amajambo y'ihumure yashikirijwe n'igisirikare c'Uburundi ibara rikirwa canke inyuma yaho kandi n'ibiharuro vy'ibanze ryatanzwe n'umuvugizi wa Leta biregeranye n'ibiharuro vy'amatohoza yambere ashikiriza abantu 15 bahasize ubuzima,100 bakomeretse hamwe n'amazu 60 yononekaye bukebuke canke yatabagaye.

Kuri ivyo vyashikirijwe,amashira hamwe umuhari Iteka na King Umurundi Freedom rurasaba :

PROGRAMME UMUSEKE

**Kuri Leta y'uBurundi :**

1° Gutanga amakuru atomoye kuri iryo bara hamwe n'ijambo ry'ihumure ku barundi n' amakungu;
2° Kurondera kandi bagakurayo ibisasu vyose vyakwiragiye kubera iryo bara kugira bakingire abanyagihugu ;
3° Gushiraho umugwi w'abahinga kugira bakore icegeranyo c'ivyononekaye kubera iryo bara mbere n'ico vyavuyeko ;
4°Kugira umugambi wo gusanura no gushumbusha abakozweko n'iyo mpanuka yo kuwa 31 Ntwarante 2026 ;
5° Kugira umugambi wo gukingira ibindi bisagara canke amakaratiye afise ububiko bw'ibirwanisho kugira bakinge impanuka nk'izo ko zitoba ;

**Ku bafasha muvyo ubuhinga n'uburyo Reta y'uBurundi harimwo NU, UE hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo mu Burundi:**

1° Gufasha Leta y'uBurundi kugira bashobore gusanura ivyononywe n'ico kiza bongere bazitire

2°Kugondoza Leta igire icegeranyo c'ubuhinga ku vyateye ako kaga n'ivyahononekariye.

**Ku banyagihugu bo mu ma karatiye hahuye n'ico kiza:**

1°Kumenyesha inzego z'umutekano ku gisasu cose gitowe canke ikindi gikoresho cagisirikare cose gitowe mu karere kabo.

***<u>Kubwo umugambi UMUSEKE</u>***

**Anschaire NIKOYAGIZE**



**Vianney NIZIGIYIMANA**



**01 Ndamukiza 2026**

*Umukuru w'umuhari Iteka*
*+256701178261*

*Umukuru wa King Umurundi Freedom*
*+ 33 7 58 27 92 94*

PROGRAMME UMUSEKE